amahera menshi y'imiti.

IGITUNTU KIVURWA GUTE?

IGITUNTU KIRAVURWA KIGAKIRA! Kuvura igituntu bimara igihe kirekire. Abarwayi b'igituntu bategerezwa gufata ibinini vyinshi mu kiringo kiri hagati y'amezi atandatu gushika kw'icumi n'abiri kugira bakire. Umurwayi arashobora kwumva ko yatoye mitende imbere y'uko aheza gufata imiti. Gufata imiti yose nk'uko muganga yayikwandikiye ni ngombwa kugira igituntu gikire neza. Iyo umurwayi ahagaritse imiti imbere y'ikiringo gitegekanijwe, arashobora gusubira kukirwara.

IYO WIYUMVIRA KO WOBA WARABANYE N'UWURWAYE IGITUNTU:

Iyo wikeka ko woba wamanye n'umurwayi w'igituntu, vyoba vyiza ugiye kwa muganga canke ukaja kw'ivuriro kugira wipimishe.

CONTACT INFORMATION:
riht@uscridc.org
U.S. Committee for Refugees and Immigrants
1717 Massachusetts Ave., NW
Suite 200
Washington, DC 20036
Phone: 202 • 347 • 3507
Fax: 202 • 347 • 7177
www.refugees.org

Ushobora kurondera andi makuru y'igituntu kuri internet ya:

The Centers for Disease Control and Prevention
www.cdc.gov

The U.S. Department of Health and Human Services
www.omhrc.gov

• • •

Amakuru ari muri aka gatabo aturuka ku makuru ari muri:

The Centers for Disease Control and Prevention (CDC)

The U.S. Department of Health and Human Services

The Directors of Health Promotion and Education (DHPE)

Infashanyo y'amahera yo kwandika aka gatabo yatanzwe na Department of Health and Human Services Office of Refugee Resettlement

Igituntu n'iki?

(What is TB? - Kirundi)

U.S. COMMITTEE FOR REFUGEES AND IMMIGRANTS
USCRI

www.refugees.org
Protecting Refugees, Serving Immigrants, Upholding Freedom since 1911

KUBAHO UFISE AMAGARA MEZA

IGITUNTU N'IKI?

Igituntu ni indwara yandukira iterwa n'imigera iba yakwijwe mukirere iva k'umuntu ija kuwundi iciye mu muyaga. Umuntu arwaye igituntu, kirashobora kumwica iyo atacivuje.

IGITUNTU CANDUKIRA GUTE?

Imigera y'igituntu ikwiragira mu mpwemu iyo umurwayi akoroye, yasamuye, aririmvye, aciriye canke atwenze. Abantu bahemye impemu ziri mw'iyo migera y'igituntu, barashobora kucandura.

IGITUNTU CANDUKIRA BANDE?

Ishirahamwe rijejwe amagara y'abantu kw'isi, rikeka ko kw'isi yose, abantu bari hafi y' Miliyoni zitandatu 6 bagendana umugera w'igituntu. Ku mwaka, hafi abantu miliyoni 2 kw'isi bicwa n'igituntu. Abantu bahura kandi bakagumana n'abarwayi b'igituntu ku munsi ku munsi, barashobora kwandura. Abo nabo bakaba ari nkabigana mw'ishure rimwe n'uwukirwaye, abakora hamwe, ababa mu muryango umwe canke ababana mu nzu imwe.

IGITUNTU KITARISERURA GITANDUKANYE GUTE N'IKIMAZE KWISERURA?

Hari abantu babaho bafise igituntu kitariserura, bagendana umugera waco, mugabo uyo mugera ukaba utaribonekeza kandi ntibabe barakirwara. Mwene abo bantu ntibandukiza abandi, mugabo barashobora kurwara mu nyuma haheze igihe kitari gito.

Abo igituntu kimaze kwiserura, nibo baba barwaye. Bisigura ko umugera ugitera

uba umaze kugwirirana mu mubiri, kandi uba uriko urasambura ibihimba vy'umubiri. Abarwayi b'igituntu baba bafise ibimenyetso vyaco, bakaba banashobora kwanduza abandi; cane cane abo bamana ku munsi ku munsi, nk'abo bakora hamwe, abo biga hamwe, n'abo babana mu rugo rumwe canke munzu imwe.

IGITUNTU KITUMVA IMITI

Iyo umurwayi w'igituntu adafata neza imiti, canke agahagarika imiti hataragera, imigera yaco irashobora kutaba icumva iyo miti. Bisigura yuko uwo muti ataco uba ukivuze kuri iyo migera yiyo ndwara, umurwayi agaca ategerezwa guhabwa iyindi miti ishobora kuba ikaze gusumba iya mbere mu kiringo kirekire gisumba ico yari kumara ariko arafata iya mbere. Igituntu kitumva imiti kiragoye kuvura kandi bikanatwara